**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**CABINET DU PRESIDENT**

# LOI N°1/17 DU 07 JUIN 2024 PORTANT MODIFICATION DU DECRET-LOI N°1/23 DU 26 JUILLET 1988 PORTANT CADRE ORGANIQUE DES ETABLISSEMENTS PUBLICS

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/04 du 19 février 2020 portant Modification de certaines Dispositions de la Loi n°1/33 du 28 novembre 2014 portant Organisation de l'Administration Communale ;

Vu la Loi Organique n°1/20 du 20 juin 2022 portant Révision de la Loi n°1/35 du 4 décembre 2008 relative aux Finances Publiques ;

Vu la Loi n°1/09 du 17 mars 2005 portant Distinction des Fonctions Politiques des Fonctions Techniques ;

Vu la Loi n°1/09 du 30 mai 2011 portant Code des Sociétés Privées et à Participation Publique ;

Vu la Loi n°1/22 du 25 juillet 2014 portant Réglementation de l'Action Récursoire et Directe de l'Etat et des Communes contre leurs Mandataires et leurs Préposés ;

Vu la Loi nº 1/01 du 16 janvier 2015 portant Révision du Code du Commerce ;

**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

# IBWIRIZWA INOMERO 1/ 17 RYO KU WA 07 RUHESHI 2024 ISUBIRAMWO ITEGEKO-BWIRIZWA INOMERO 1/23 RYO KU WA 26 MUKAKARO 1988 RISHINGA AMATEGEKO AGENGA AMASHIRAHAMWE YA RETA

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/04 ryo ku wa 19 Ruhuhuma 2020 rihindura ingingo zimwe zimwe z'Ibwirizwa inomero 1/33 ryo ku wa 28 Munyonyo 2014 riringaniza intwaro mw'ikomine ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero1/20 ryo ku wa 20 Ruheshi 2022 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/35 ryo ku wa 4 Kigarama 2008 ryerekeye itunganywa ry'ikigega ca Reta ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ritandukanya imirimo ya poritike n'imirimo isaba ubuhinga n'ubumenyi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 30 Rusama 2011 rishinga Igitabu c'amategeko agenga amashirahamwe yigenga n'ayo Reta ifisemwo imitahe ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/22 ryo ku wa 25 Mukakaro 2014 rishinga ingene Reta n'ikomine bishingisha imanza zo kwishuza amafaranga yarishwe kubera amakosa yakozwe n'abo Reta yashinze amabanga, abakozi bayo n'ab'ikomine ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 16 Nzero 2015 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga ubudandaji ;

Vu la Loi n°1/02 du 03 mars 2016 portant Réforme de la Fiscalité Communale au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 03 Ntwarante 2016 rihindura ivyerekeye amakori n'amatagisi y'ikomine mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/04 du 24 janvier 2018 portant Modification de la Loi n° 1/01 du 4 février 2008 portant Code des Marchés Publics du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 24 Nzero 2018 rihindura Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 4 Ruhuhuma 2008 rishinga Igitabu c'amategeko agenga amasoko ya Reta mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/01 du 13 novembre 2020 portant Modification de la Loi n° 1/08 du 28 avril 2011 portant Organisation Générale de l'Administration Publique ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 13 Munyonyo 2020 rihindura Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 28 Ndamukiza 2011 riringaniza intwaro mu gihugu ;

Vu la Loi n°1/11 du 24 novembre 2020 portant Révision du Décret-loi n° 1/037 du 7 juillet 1993 portant Révision du Code du Travail du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 24 Munyonyo 2020 risubiramwo Itegeko-bwirizwa inomero 1/037 ryo ku wa 7 Mukakaro 1993 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/03 du 8 février 2023 portant Modification de la Loi n°1/28 du 23 août 2006 portant Statut Général des Fonctionnaires ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/03 ryo ku wa 8 Ruhuhuma 2023 rihindura Ibwirizwa inomero 1/28 ryo ku wa 23 Myandagaro 2006 rishinga amategeko agenga abakozi ba Reta ;

Revu le Décret-loi n°1/23 du 26 juillet 1988 portant Cadre Organique des Etablissements Publics Burundais ;

Asubiye kwihweza Itegeko-bwirizwa inomero 1/23 ryo ku wa 26 Mukakaro 1988 rishinga amategeko agenga amashirahamwe ya Reta ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama nshikiranganji imaze kubica irya n'ino;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zimaze kuvyemeza;

**PROMULGUE :**

**ATANGAJE :**

## TITRE I : DES DISPOSITIONS COMMUNES A TOUS LES ETABLISSEMENTS PUBLICS

## CHAPITRE I : DE L'OBJET, DU CHAMP D'APPLICATION ET DES DEFINITIONS

### Section 1 : De l'objet et du champ d'application

**Article 1 :**
La présente loi a pour objet de déterminer les règles générales régissant les établissements publics.

**Article 2 :**
La présente loi s'applique aux établissements publics ayant un caractère administratif, industriel et/ou commercial selon leur objet principal.

### Section 2 : Des définitions

**Article 3 :**
Au sens de la présente loi, on entend par :

1. **établissement public,** une personne morale de droit public ayant reçu de l'Etat, d'une commune ou d'un groupement de communes, un patrimoine d'affectation ou des subsides annuels en vue de la gestion d'un service public ou d'une entreprise d'intérêt général dotée de l'autonomie financière et organique. Il est placé sous la tutelle d'un ministre pour les établissements publics nationaux ou celle de la commune pour les établissements publics communaux ;
2. **établissement public à caractère administratif,** un établissement public dont l'objet principal a un caractère pédagogique, scientifique, culturel, social ou toute autre mission de service public spécialisé d'intérêt général ;

## IKIGABANE CA I : IVYEREKEYE INGINGO RUSANGI KU MASHIRAHAMWE YOSE YA RETA

## IGICE CA I : IVYEREKEYE INTUMBERO Y'IRI BWIRIZWA, ICO RYEREKEYE N'INSIGURO Y'AMAJAMBO

### Agace ka 1 : Intumbero y'iri bwirizwa n'ico ryerekeye

**Ingingo ya 1 :**
Iri bwirizwa rifise intumbero yo gushiraho amategeko agenga muri rusangi amashirahamwe ya Reta.

**Ingingo ya 2 :**
Iri bwirizwa rikurikizwa ku mashirahamwe ya Reta afise intumbero yo gushikiriza abanyagihugu ivyo bakeneye, ku mashirahamwe y'amahinguriro na/canke y'ubudandaji hisunzwe intumbero nyamukuru yayo.

### Agace ka 2 : Insiguro y'amajambo

**Ingingo 3 :**
Muri iri bwirizwa, amajambo akurikira asiguwe uku :

1. **ishirahamwe rya Reta** ni ishirahamwe rigengwa n'amategeko y'igihugu ryahawe na Reta, ikomine canke umugwi w'amakomine, uburyo bwo gukoresha canke imfashanyo yo ku mwaka mu ntumbero y'ugutunganya igisata ca Reta canke ishirahamwe rikora ku neza ya bose ryitunganiriza ikigega n'inzego ziriyobora. Iyo ari ishirahamwe ryo ku rwego rw'igihugu rikukira Umushikiranganji mu gihe na ho ari iryo ku rwego rw'ikomine rigakukira ikomine ;
2. **ishirahamwe rya Reta rifise intumbero yo kuronsa abanyagihugu ivyo bakeneye** ni ishirahamwe rifise intumbero nyamukuru y'ugutanga inyigisho, ubuhinga, imico kama, ibijanye n'imibano canke uwundi murimo uwo ari wo wose ryiharije rirangura ku neza ya bose ;

3. **établissement public à caractère industriel et/ou commercial,** un établissement public dont l'objet principal est une fonction de production de biens ou de services, de transformation et/ou d'échange.

3. **ishirahamwe rya Reta rikora ivy'amahinguriro n'ivy'ubudandaji canke kimwe muri ivyo** ni ishirahamwe rya Reta rifise intumbero nyamukuru y'ukugwiza umwimbu canke ubuzi, uguhingura n'uguhanahana ibidandazwa canke kimwe muri ivyo.

## CHAPITRE II : DE LA PROCEDURE DE CREATION

## IGICE CA II : IVYEREKEYE INGENE AMASHIRAHAMWE ASHINGWA

**Article 4 :**
Les établissements publics institués à l'initiative de l'Etat sont créés par décret sur proposition du ministre appelé à en assurer la tutelle administrative.

Le décret de création précise l'objet de l'établissement, définit ses organes administratifs et de gestion ainsi que les modalités de l'exercice de la tutelle administrative.

Le décret spécifie également le patrimoine à affecter à l'établissement, la nature de ses ressources, ses dépenses et le mode de contrôle financier de ses activités.

**Ingingo ya 4 :**
Amashirahamwe ya Reta ashingwa biciye mu mugambi wa Reta ashigwaho n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu bisabwe n'Umushikiranganji ishirahamwe riba rikukira.

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishinga iryo shirahamwe riratomora intumbero yaryo, inzego ziritwara n'iziritunganya hamwe n'ibikurikizwa kugira Umushikiranganji rikukira arigenzure.

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu riratomora kandi amatungo Reta igenera ishirahamwe, ahava uburyo rikoresha, amafaranga rikoresha hamwe n'ingene hasuzumwa ivy'amafaranga akoreshwa mu mirimo yaryo.

**Article 5 :**
Les établissements publics communaux ou intercommunaux sont créés par décision de l'autorité communale après délibération du conseil communal conformément à la législation en vigueur.

**Ingingo ya 5 :**
Amashirahamwe ya Reta akukira ikomine canke mpuzakomine ashirwaho n'ingingo y'ubutegetsi bw'ikomine, Inama y'ikomine imaze kubica irya n'ino hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa.

**Article 6 :**
Les établissements publics ayant un objet multiple peuvent être classés dans la catégorie à caractère industriel ou commercial selon les critères retenus par le ministre de tutelle.

**Ingingo ya 6 :**
Amashirahamwe ya Reta afise intumbero zitandukanye arashobora gushirwa mu mugwi w'amahinguriro canke w'ubudandaji hisunzwe ivy'umushikiranganji ayajejwe yafatiyeko.

## CHAPITRE III : DE L'ORGANISATION ADMINISTRATIVE

**Article 7 :**
L'administration d'un établissement public est assurée par les organes suivants :

1° le conseil d'administration ;
2° le comité de direction.

### Section 1 : Du conseil d'administration

**Article 8 :**
Un établissement public est administré par une assemblée délibérante dénommée « conseil d'administration » constituée d'au moins cinq membres dont la composition et le mandat sont fixés par le décret de création.

**Article 9 :**
Le conseil d'administration comprend :

1° des membres représentants l'Etat ;
2° des personnes nommées en raison de leurs compétences ;
3° le responsable de la gestion quotidienne de l'établissement ;
4° un représentant du personnel.

Les membres visés aux points 1 et 3 perdent la qualité de membre du conseil d'administration dès lors qu'ils cessent de faire partie du personnel de l'administration publique ou de l'établissement qu'ils représentent.

**Article 10 :**
Le conseil d'administration ne peut valablement délibérer que si 2/3 de ses membres sont présents.

En cas d'empêchement, un administrateur peut se faire représenter par un autre membre du conseil, mais aucun administrateur ne peut recevoir plus d'une procuration.

## IGICE CA III : IVYEREKEYE ITUNGANYWA RY'INTWARO

**Ingingo 7 :**
Mw'ishirahamwe rya Reta, intwaro igizwe n'inzego zikurikira :

1° urwego nshingwantwaro ;
2° urwego nyobozi.

### Agace ka1 : Urwego nshingwantwaro

**Ingingo ya 8 :**
Ishirahamwe rya Reta ritwarwa n'Inama ifata ingingo yiswe « urwego nshingwantwaro » rugizwe n'imiburiburi n'abantu batanu, abarugize n'ikiringo bamara bigashingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu ririshiraho.

**Ingingo ya 9 :**
Urwego nshingwantwaro rugizwe n'aba bakurikira :

1° abaserukira Reta ;
2° abantu bagenwa harabwe ubumenyi n'ubushobozi bafise ;
3° umuyobozi mukuru w'ishirahamwe ;
4° uwuserukira abakozi.

Abagize urwego nshingwantwaro bavugwa mu karongo ka 1° n'aka 3° batakaza uburenganzira bw'ukuba muri urwo rwego kuva igihe batakiri mu kazi ka Reta canke mw'ishirahamwe rya Reta baserukira.

**Ingingo ya 10 :**
Urwego nshingwantwaro rushobora gufata ingingo zemewe iyo ibice 2/3 vy'abarugize bitavye inama.

Mu gihe afatiriwe, uwuri mu rwego nshingwantwaro arashobora gutuma uwundi asanzwe ari muri urwo rwego akamuserukira mu nama, ariko ntawushobora gutumwa n'uwurenga umwe.

**Article 11 :**
En tout état de cause, aucune personne ne peut siéger dans plus de deux conseils d'administration.

**Article 12 :**
Les membres du conseil d'administration sont nommés par décret sur proposition du ministre de tutelle.

Le responsable de la gestion quotidienne d'un établissement public est de droit membre et en même temps secrétaire du conseil d'administration.

**Article 13 :**
Sous réserve des instructions du Gouvernement, le conseil d'administration a pour missions de :

1° définir les orientations de l'action de l'établissement ;

2° adopter le règlement intérieur et prendre les mesures nécessaires à l'administration de l'établissement ;

3° voter le budget prévisionnel de l'exercice à venir après examen des comptes de l'exercice écoulé ;

4° veiller à l'exécution de ses décisions.

**Article 14 :**
Le conseil d'administration se réunit en session ordinaire une fois par trimestre.

Il se réunit en session extraordinaire à l'initiative du président, à la demande du directeur général ou des 2/3 de ses membres.

Sauf dérogation écrite du ministre de tutelle, le nombre de réunions extraordinaires ne peut dépasser un par trimestre.

**Ingingo ya 11 :**
Uko bigenda kwose, nta n'umwe ashobora kuja mu nzego nshingwantwaro zirenga zibiri.

**Ingingo ya 12 :**
Abagize urwego nshingwantwaro bagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu bisabwe n'Umushikiranganji ishirahamwe rikukira.

Uwujejwe gutunganya imirimo ya misi yose y'ishirahamwe rya Reta aca ategerezwa kuja mu rwego nshingwantwaro kandi agaca aba umunyamabanga w'urwego nshingwantwaro.

**Ingingo ya 13 :**
Hatirengagijwe ibindi Reta ishobora gutegeka, urwego nshingwantwaro rufise imirimo ikurikira :

1° gutomora intumbero z'ibikorwa birangurwa n'ishirahamwe ;

2° kwemeza amategeko ntunganyabikorwa y'ishirahamwe no gufata ingingo zikenewe mw'irongorwa ry'ishirahamwe ;

3° kwemeza amafaranga ategekanywa gukoreshwa mu mwaka ukurikira inyuma y'igenzura ry'amakonte y'amafaranga aba yakoreshejwe mu mwaka uheze ;

4° gukurikirana ko ingingo rwafashe zashizwe mu ngiro.

**Ingingo ya 14 :**
Urwego nshingwantwaro rukorana mu nama zarwo zisanzwe rimwe mu mezi atatu.

Rukorana mu nama zidasanzwe bisabwe n'umukuru warwo canke bisabwe n'umuyobozi mukuru canke n'ibice 2/3 vy'abarugize.

Kiretse Umushikiranganji ishirahamwe rikukira abitangiye uruhusha rwanditse, igitigiri c'inama zidasanzwe ntigishobora kurenga imwe ku mezi atatu.

Le conseil d'administration se réunit obligatoirement dans la période qui précède la fin de l'exercice pour l'adoption du budget prévisionnel et en début d'exercice pour l'approbation des comptes de l'exercice écoulé.

Urwego nshingwantwaro rutegerezwa gukorana mu kiringo c'imbere yuko umwaka w'ibikorwa urangira mu ntumbero y'ukwemeza integuro y'amafaranga ategekanywa gukoreshwa, rukongera rugakorana mu ntango z'umwaka kugira rwemeze amafaranga ari ku makonte y'umwaka urangiye.

**Article 15 :**
Les délibérations et les décisions du conseil d'administration prises à la majorité des voix sont consignées dans un procès-verbal qui est envoyé au ministre de tutelle à la diligence du président du conseil dans un délai ne dépassant pas huit jours calendaires à dater du jour de la réunion.

**Ingingo ya 15 :**
Ivyihwejwe hamwe n'ingingo zifashwe n'urwego nshingwatwaro vyemejwe na benshi biciye mu gutora, bishirwa mu cegeranyo umukuru w'urwego nshingwantwaro ashikiriza Umushikiranganji vyerekeye mu kiringo kitarenze imisi umunani ikurikirana giharurwa kuva umusi inama yabereyeko.

**Article 16 :**
Sans préjudice des poursuites judiciaires ou disciplinaires à raison des infractions ou d'autres fautes commises dans l'exercice de leur mandat, les membres du conseil d'administration peuvent, en cas de négligence ou d'incompétence, être remplacés de leur mandat par décret pris sur rapport du ministre de tutelle.

**Ingingo ya 16 :**
Hatirengagijwe ko abagize urwego nshingwantwaro bashobora gukurikiranwa n'ubutungane canke bagakurikiranwa hafatiwe ku makosa y'akazi canke ayandi makosa bakoze mu kiringo c'ukurangura amabanga bashinzwe, barashobora, iyo habaye ugusamara, canke ukutabishobora, gusubirizwa muri ayo mabanga biciye mw'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu hafatiwe ku cegeranyo cashikirijwe n'Umushikiranganji ishirahamwe rikukira.

**Article 17 :**
L'exécution des décisions du conseil d'administration et la gestion quotidienne de l'établissement sont confiées à la direction générale.

**Ingingo ya 17 :**
Ubuyobozi bukuru ni bwo bushinzwe gushira mu ngiro ingingo z'urwego nshingwantwaro hamwe no gutunganya ibikorwa vya misi yose vy'ishirahamwe.

**Section 2 : Du comité de direction**

**Agace ka 2 : Urwego nyobozi**

**Article 18 :**
Tout établissement public est placé sous l'autorité d'un responsable dont la dénomination est fixée par le décret de création.

Le responsable de l'établissement est assisté d'un comité de direction dont les missions, les attributions et le mandat sont déterminés par le texte de création.

**Ingingo ya 18 :**
Ishirahamwe iryo ari ryo ryose rya Reta ritwarwa n'umuyobozi atomorwa n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishiraho iryo shirahamwe.

Uwurongoye ishirahamwe rya Reta afashwa n'urwego nyobozi aho ivyo rujejwe, imirimo hamwe n'ikiringo vyarwo bitegekanywa mw'itegeko rishiraho ishirahamwe rya Reta.

Le responsable de l'établissement est investi de tous les pouvoirs nécessaires pour assurer la gestion et la coordination de toutes les activités et représente l'établissement public dans ses rapports avec les tiers.

Umuyobozi w'ishirahamwe ni we afise ububasha bwose bukenewe kugira atunganye kandi akurikiranire hafi ibikorwa vyose kandi ni we aserukira ishirahamwe rya Reta mu migenderanire rigiranira n'abandi.

**Article 19 :**
Tout établissement public est soumis au contrôle de l'inspection générale du ministère dont il relève ainsi que d'autres organes d'inspection ou de contrôle prévus par les lois et règlements.

**Ingingo ya 19 :**
Ishirahamwe iryo ari ryo ryose rya Reta ritegerezwa kugirirwa isuzuma n'ubugenduzi bukuru bw'Ubushikiranganji ishirahamwe rikukira hamwe n'izindi nzego zijejwe kugenzura canke gusuzuma zisanzwe zitegekanijwe n'amabwirizwa hamwe n'amategeko.

**CHAPITRE IV : DE LA TUTELLE ADMINISTRATIVE**

**IGICE CA IV : IVYEREKEYE AHO AMASHIRAHAMWE AKUKIRA MU VY'INTWARO**

**Article 20 :**
Tout établissement public est soumis à la tutelle administrative du ministre qui s'exerce dans les conditions déterminées par le décret de création.

**Ingingo ya 20 :**
Ishirahamwe ryose rya Reta ritegerezwa kuba rikukira mu vy'intwaro Umushikiranganji hisunzwe ibisabwa bitomorwa n'Itegeko ry'Umukuru w'igihugu rishiraho iryo shirahamwe.

**Article 21 :**
La tutelle des établissements communaux est exercée au premier degré par l'administrateur communal et au second degré par le gouverneur de province territorialement compétent.

Si l'établissement a un caractère intercommunal, l'acte de création désigne l'autorité de tutelle au premier degré.

**Ingingo ya 21 :**
Amashirahamwe ya Reta yo ku rwego rw'ikomine akukira ku rugero rwa mbere Musitanteri, ku rugero rwa kabiri naho agakukira Buramatari w'intara ayo mashirahamwe arimwo.

Iyo iryo shirahamwe ari mpuzakomine, itegeko rishinga iryo shirahamwe ni ryo ritomora umutegetsi iryo shirahamwe rikukira ku rugero rwa mbere.

**Article 22 :**
La tutelle peut s'exercer par voie de veto suspensif, d'approbation, d'annulation ou de substitution.

**Ingingo ya 22 :**
Ubutegetsi ishirahamwe rikukira burafise ububasha bwo guhagarika ingingo yafashwe, kuyemeza, kuyifuta canke kuyisubiriza n'iyindi.

**Article 23 :**
Le ministre de tutelle peut s'opposer temporairement à l'exécution d'une décision prise par les organes d'un établissement public.

**Ingingo ya 23 :**
Umushikiranganji ishirahamwe rya Reta rikukira arashobora guhagarika vy'imfatakibanza ishirwa mu ngiro ry'ingingo yafashwe n'inzego z'iryo shirahamwe.

**Article 24 :**
Ne sont sujettes à approbation ou à autorisation par l'autorité de tutelle que les décisions du conseil d'administration ou de l'organe de direction expressément prévues sous cette condition dans le décret de création.

**Ingingo ya 24 :**
Ingingo zitegerezwa kubanza kwemezwa canke kurekurirwa n'umutegetsi ishirahamwe rikukira ni izifatwa n'Urwego nshingwantwaro canke n'urwego nyobozi zitegekanijwe mu buryo butomoye n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishiraho iryo shirahamwe.

**Article 25 :**
L'autorité de tutelle doit annuler toute décision du conseil d'administration ou de l'organe de direction contraire à la législation ou à la règlementation d'ordre public applicable en la matière. L'annulation de la décision illicite est opposable aux tiers concernés.

**Ingingo ya 25 :**
Umutegetsi ishirahamwe rya Reta rikukira ategerezwa gufuta ingingo yose ifashwe n'urwego nshingwantwaro canke n'urwego nyobozi iteye kubiri n'amabwirizwa canke amategeko yerekeye umutekano w'abanyagihugu akurikizwa avyerekeye. Ugufuta ingingo yafashwe iteye kubiri n'amategeko iritwazwa imbere y'abo yerekeye.

Elle peut également, dans le délai fixé par le décret de création de l'établissement, annuler les décisions du conseil d'administration ou de l'organe de direction qu'elle estime contraires à l'intérêt général. L'annulation n'est pas opposable aux tiers de bonne foi.

Uwo mutegetsi arashobora kandi, mu kiringo gishingwa n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishinga ishirahamwe, gufuta ingingo z'urwego nshingwantwaro canke iz'urwego nyobozi abona ko ziteye kubiri n'ineza ya bose. Ukwo gufuta iyo ngingo ntivyitwazwa imbere y'abandi bantu ata co bari babiziko.

Le délai dont il est question à l'alinéa 2 du présent article ne peut dépasser quinze jours. Il commence à courir à partir de la notification de la décision en cause et peut être prorogé de quinze jours au plus, par décision motivée du ministre de tutelle.

Ikiringo kivugwa mu gahimba ka 2 k'iyi ngingo ntigishobora kurenza imisi icumi n'itanu. Gitangura guharurwa kuva ingingo yafashwe imenyeshejwe kandi gishobora kwongerezwa iyindi misi icumi n'itanu itarenga biciye mu ngingo itangiwe imvo ifatwa n'Umushikiranganji iryo shirahamwe rikukira.

**Article 26 :**
L'autorité de tutelle peut prendre toutes mesures utiles en se substituant au conseil d'administration lorsque celui-ci, malgré deux avertissements successifs, manque d'exécuter les obligations qui lui incombent en vertu de son statut ou de la réglementation en vigueur.

**Ingingo ya 26 :**
Umutegetsi ishirahamwe rya Reta rikukira arashobora gufata ingingo zose mu kibanza c'urwego nshingwantwaro abona ko zikenewe mu gihe urwo rwego rwoba rumaze kugabishwa incuro zibiri zikurikirana, ariko ntirurangure ivyo rutegerejwe birwerekeye hisunzwe amategeko arugenga canke amategeko asanzwe akurikizwa.

Le pouvoir de substitution s'exerce notamment en matière budgétaire pour l'engagement des dépenses obligatoires, la perception des recettes et la bonne exécution des règles d'engagement et de liquidation des dépenses.

Ubwo bubasha bw'ukurangura ivyo urwego nshingwantwaro rwokoze bukoreshwa nko mu vyerekeye amafaranga ategekanywa gukoreshwa ku bijanye n'ugusohora amafaranga ategerezwa gukoreshwa, ugutoza amafaranga yinjira no mu vyerekeye ugukurikiza neza amategeko ajanye n'ugusohora amafaranga hamwe n'ukwishura ideni.

**CHAPITRE V : DE L'ORGANISATION FINANCIERE ET DU CONTROLE**

**IGICE CA V : IVYEREKEYE ITUNGANYWA RY'IKIGEGA N'IGENZURWA RYACO**

**Article 27 :**
Le décret ou l'acte de création d'un établissement public précise son organisation financière et comptable.

**Ingingo ya 27 :**
Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu canke itegeko rishinga ishirahamwe rya Reta riratomora ibijanye n'itunganywa ry'ikigega cayo hamwe n'uguharura amafaranga yinjira n'ayasohoka.

**Article 28 :**
L'exercice comptable de l'établissement correspond à l'année budgétaire.

Le règlement des émoluments ou honoraires des administrateurs est imputable au budget annuel de l'établissement et liquidé à la fin de la même année budgétaire.

**Ingingo ya 28 :**
Ikiringo ishirahamwe rya Reta rikoreshamwo amafaranga gihuye n'umwaka amafaranga ategekanywa gukoreshwamwo.

Amafaranga y'impembo canke ay'agashirukabute ahabwa abagize urwego nshingwantwaro akurwa mu yo ishirahamwe ritegekanya gukoresha ku mwaka kandi bigaherana n'uwo mwaka nyene amafaranga ategekanywa gukoreshwamwo.

**Article 29 :**
Les comptes de chaque exercice doivent être soumis, avant le 30 septembre de l'exercice suivant, à l'approbation du conseil d'administration.

Sur rapport des commissaires aux comptes, le conseil d'administration peut mettre l'organe de direction ou le comptable de l'établissement en débet des déficits dus à leur négligence. Le recouvrement du débet est opéré de plein droit sur la rémunération de l'intéressé dans la limite de la quotité saisissable des traitements.

**Ingingo ya 29 :**
Amakonte yo ku mwaka ku mwaka ategerezwa kwemezwa n'urwego nshingwantwaro imbere y'igenekerezo rya 30 Nyakanga kw'umwaka ukurikira.

Rwishimikije icegeranyo cakozwe n'abakomiseri b'amakonte, urwego nshingwantwaro rurashobora kwandika ku rwego nyobozi canke ku munyabigega w'ishirahamwe rya Reta umwenda w'agahombo ishirahamwe ryagize kubera bafashe minenerwe ivyo bashinzwe. Amafaranga y'umwenda aca akatwa ku mushahara w'uwo yanditsweko hafatiwe ku rugero rw'umushahara ushobora gukatwa.

**Article 30 :**
Les comptes de l'établissement public qui génèrent des revenus d'exploitation sont placés sous le contrôle permanent d'un ou de plusieurs commissaires aux comptes désignés par le Ministre ayant les finances dans ses attributions pour une durée fixée par le décret de création.

**Article 31 :**
Les commissaires aux comptes peuvent consulter sur place tous les documents et les écritures de l'établissement, demander toutes justifications et tous renseignements sur les activités et les comptes de l'établissement.

Ils établissent avant le 15 septembre de chaque année un rapport circonstancié sur les comptes de l'exercice de l'année précédente, donnant leur avis sur la régularité des opérations, la qualité de la gestion et les perspectives pour l'exercice suivant.

Le rapport est adressé au ministre de tutelle, au ministre ayant les finances dans ses attributions, aux membres du conseil d'administration, à l'organe de direction et au chef comptable de l'établissement.

**Article 32 :**
Si au cours de leurs opérations, les commissaires aux comptes découvrent des irrégularités susceptibles de recevoir une qualification pénale à charge des responsables de l'établissement, ils adressent aussitôt un rapport spécial au ministre de tutelle, au ministre ayant les finances dans ses attributions et au Procureur Général de la République qui apprécient, chacun en ce qui le concerne, la suite à réserver audit rapport.

**Ingingo ya 30 :**
Amakonte y'ishirahamwe rya Reta ryinjiza amafaranga akoreshwa yama agenzurwa n'umukomiseri w'ikonte umwe canke benshi bagenwa n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta mu kiringo gitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishinga ishirahamwe.

**Ingingo ya 31 :**
Abakomiseri b'amakonte barashobora kurabira mw'ishirahamwe inzandiko zose n'inyandiko vy'ishirahamwe, gusaba insiguro zose n'ibitororokanywa vyose vyerekeye ibikorwa vyakozwe hamwe n'amakonte y'iryo shirahamwe.

Barategura imbere y'igenekerezo rya 15 Nyakanga uko umwaka urangiye icegeranyo cerekeye ivyaranguwe ku makonte y'umwaka warangiye, bakagira ico bashikirije ku kugene amafaranga yagiye arasohoka n'ingene yagiye arinjira, ko habaye itunganywa ryiza mu bijanye n'ayo makonte hamwe no ku vyitezwe gushikwako mu mwaka ukurikira.

Icegeranyo gishikirizwa umushikiranganji ishirahamwe rya Reta rikukira, Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Leta, abagize urwego nshingwantwaro, urwego nyobozi hamwe n'umunyabigega mukuru w'iryo shirahamwe.

**Ingingo ya 32 :**
Mu gihe abakomiseri b'amakonte bariko bararangura ibikorwa bashinzwe, babonye ibitagenze neza bishobora gufatwa nk'ivyaha vyagirizwa abarongoye ishirahamwe, bategerezwa gushikiriza badatevye icegeranyo kidasanzwe umushikiranganji ishirahamwe rikukira, Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta n'Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika bakagira, umwe wese mu bimwerekeye, ico bavuga kuri ico cegeranyo bashikirijwe.

**Article 33 :**
Outre le contrôle par les commissaires aux comptes effectué comme il est dit aux articles 30 à 32 de la présente loi, les comptes des établissements publics peuvent être soumis au contrôle de l'Inspection Générale de l'Etat ou de l'inspection générale du ministère de tutelle.

**Ingingo ya 33 :**
Uretse isuzuma ry'abakomiseri b'amakonte rikorwa nk'uko bivugwa mu ngingo ziva ku ya 30 gushika ku ya 32 z'iri bwirizwa, amakonte y'amashirahamwe ya Reta ashobora gusuzumwa n'Ubugenduzi bukuru bwa Reta canke ubugenduzi bukuru bw'ubushikiranganji ishirahamwe rikukira.

## CHAPITRE VI : DES STATUTS DES PERSONNELS

## IGICE CA VI : IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA ABAKOZI

**Article 34 :**
Chaque établissement public est doté d'un statut du personnel propre adopté par le conseil d'administration et approuvé conjointement par le ministre de tutelle et le ministre ayant les finances dans ses attributions.

Les statuts peuvent être complétés par un règlement d'ordre intérieur ou d'entreprise.

**Ingingo ya 34 :**
Ishirahamwe rya Reta rimwerimwe ryose ritegerezwa kuba rifise amategeko agenga abakozi baryo yemejwe n'urwego nshingwantwaro mu gihe ruhari akongera akemezwa n'Umushikiranganji ishirahamwe rikukira hamwe n'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta.

Amategeko agenga abakozi ashobora kwunganirwa n'amategeko ntunganyabikorwa.

**Article 35 :**
Le personnel d'un établissement public comprend :

1° des membres du comité de direction ;

2° du personnel détaché ;

3° du personnel permanent ou temporaire recruté conformément au statut du personnel propre à l'établissement et au Code du travail.

**Ingingo ya 35 :**
Abakozi b'ishirahamwe rya Reta bagizwe n'aba bakurikira :

1° abagize urwego nyobozi ;

2° abakozi bahora bakora ubundi buzi bagenywe gukorera muri iryo shirahamwe;

3° abakozi baronse akazi hisunzwe amategeko agenga abakozi b'iryo shirahamwe rya Reta canke hisunzwe Igitabu c'amategeko agenga akazi.

## TITRE II : DES DISPOSITIONS PARTICULIERES AUX ETABLISSEMENTS PUBLICS A CARACTERE INDUSTRIEL ET/OU COMMERCIAL

## IKIGABANE CA II : IVYEREKEYE INGINGO ZIHARIYE KU MA SHIRAHAMWE YA RETA AKORA IBIJANYE N'AMAHINGURIRO N'UBUDANDAJI CANKE KIMWE MURI IVYO

### CHAPITRE I : DE L'ORGANISATION FINANCIERE ET COMPTABLE

### IGICE CA I : IVYEREKEYE ITUNGANYWA RY'IKIGEGA HAMWE N'AMAFARANGA YINJIRA N'AYASOHOKA

**Article 36 :**
La comptabilité des établissements publics à caractère industriel et/ou commercial est tenue selon les usages commerciaux en conformité avec le Plan Comptable National et les modalités arrêtées par le décret ou la décision de création ou par le conseil d'administration.

**Ingingo ya 36 :**
Ubuhinga bw'ukwandika amafaranga yinjira n'ayasohoka y'amashirahamwe ya Reta akora ivyerekeye amahinguriro n'ubudandaji canke kimwe muri ivyo butegerezwa gukorwa hisunzwe ibisanzwe bikoreshwa mu budandaji bihuye n'ibiri mu gitabu c'amategeko aringaniza ikoreshwa ry'amafaranga mu gihugu hamwe n'ibikurikizwa bishingwa n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu canke itegeko rishinga ishirahamwe canke irishinga urwego nshingwantwaro.

**Article 37 :**
Des comptes séparés peuvent être tenus pour les divers lieux ou branches d'activités de l'établissement ou pour la réalisation des projets bénéficiant d'un financement extérieur. Le solde de ces comptes séparés doit entrer dans le compte général.

**Ingingo ya 37 :**
Amakonte atandukanye arashobora gutunganywa mu bibanza canke ku bikorwa bitandukanye vy'ishirahamwe canke ku vyerekeye ishirwa mu ngiro ry'imigambi ironswa imfashanyo y'amafaranga avuye hanze. Amafaranga ari kuri ayo makonte atandukanye ategerezwa guharurwa mu mafaranga yose y'ishirahamwe.

**Article 38 :**
Les dépenses ne peuvent être engagées que sur ordre du directeur général ou de son délégué.

**Ingingo ya 38 :**
Amafaranga akoreshwa ashobora gusohorwa gusa ari uko bitegetswe n'umuyobozi mukuru canke intumwa yiwe.

**Article 39 :**
Les payements en espèces, par chèques ou virements, ne peuvent être opérés que par le chef comptable de l'établissement et au vu des engagements pris conformément à l'article 38 de la présente loi.

Avec l'autorisation écrite du directeur général, le chef comptable peut déléguer ses pouvoirs à un ou plusieurs collaborateurs, dans les limites précises fixées par ladite autorisation.

**Ingingo ya 39 :**
Ivyo kuriha mu mafaranga abona, mu masheki canke mu kuyarungika ku makonte, bigirwa gusa n'umunyabigega mukuru w'iryo shirahamwe kandi akabanza kwihweza ibitegerezwa kurihwa hisunzwe ingingo ya 38 y'iri bwirizwa.

Umuyobozi mukuru abitangiye uruhusha biciye mu rwandiko, umunyabigega mukuru arashobora guha ububasha bwiwe umwe canke benshi mu bo bakorana, hisunzwe urugero rutomoye ruri muri urwo ruhusha.

**Article 40 :**
Le conseil d'administration fixe le plafond de l'encaisse au-delà duquel les espèces doivent être déposées dans une institution financière ou bancaire du pays.

**Ingingo ya 40 :**
Urwego nshingwantwaro rurashinga amafaranga ntarengwa yinjira mw'isandugu y'ishirahamwe arenze naho aca ajanwa mw'ishirahamwe rikora nk'ibanki canke mw'ibanki ikorera mu gihugu.

**Article 41 :**
Le décret de création fixe les conditions dans lesquelles l'établissement peut recourir à l'emprunt.

**Ingingo ya 41 :**
Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishiraho ishirahamwe riratomora uburyo iryo shirahamwe rishobora gusabamwo umwenda.

**Article 42 :**
Le conseil d'administration détermine les limites et les modalités selon lesquelles le directeur général de l'établissement peut recourir au crédit bancaire.

**Ingingo ya 42 :**
Urwego nshingwantwaro ruratomora urugero umuyobozi mukuru w'ishirahamwe atarenza mu gusaba ingurane y'ibanki hamwe n'ibikurikizwa mu kuyisaba.

**Article 43 :**
A la clôture de l'exercice comptable, le directeur général, avec le concours du chef comptable, établit le bilan, l'inventaire, le compte d'exploitation faisant ressortir les soldes caractéristiques de gestion et le tableau des amortissements.

Le solde déficitaire de l'exercice est reporté à l'exercice suivant.

En cas de solde bénéficiaire, il est affecté, sur décision du conseil d'administration, après approbation du ministre de tutelle, en réserves obligatoires, statutaires, en dividendes ou en report à nouveau.

**Ingingo ya 43 :**
Mu gusozera umwaka ishirahamwe rikoreshamwo amafaranga, umuyobozi mukuru, abifashijwemwo n'umunyabigega mukuru, aragira icegeranyo c'umwaka, urutonde rw'ivyakozwe vyose, icegeranyo c'ivyaranguwe vyerekana amafaranga y'umusesekara canke ay'agahombo ku ma konte atandukanye yerekana ingene ishirahamwe rikora hamwe n'urutonde rutegekanya amafaranga akoreshwa mu gusubiriza ibikoresho igihe bishaje hamwe n'ayo kuriha imyenda.

Amafaranga y'uruhombo yo ku mwaka aca ashirwa ku mwaka ukurikira.

Mu gihe ishirahamwe rya Reta ryaronse amafaranga y'inyungu, aca ashirwa, biciye mu ngingo y'urwego nshingwantwaro, Umushikiranganji ishirahamwe rikukira amaze kuvyemeza, mu mafaranga y'integabizoza ategerejwe, mu yategekanijwe n'amategeko y'ishirahamwe, mu mafaranga y'inyungu agaburwa canke ayimurirwa ku mwaka ukurikira.

**Article 44 :**
Les établissements à caractère industriel et/ou commercial sont soumis au même régime fiscal que les entreprises du secteur privé.

**Ingingo ya 44 :**
Amashirahamwe akora ivyerekeye amahinguriro n'ubudandaji canke kimwe muri ivyo ategerezwa gukurikiza amategeko amwe yerekeye amakori nk'ay'amashirahamwe y'abikorera utwabo.

**Article 45 :**
A la fin de chaque exercice, les comptes des établissements publics à caractère industriel et/ou commercial sont vérifiés et certifiés après redressement des écritures par un ou plusieurs commissaires aux comptes ou, s'il y a lieu, sur recommandation du conseil d'administration, après avis du ministre de tutelle par un réviseur indépendant agréé.

La rémunération du commissaire aux comptes est fixée par le conseil d'administration et est imputée sur le budget de l'établissement.

**Ingingo ya 45 :**
Uko umwaka umwumwe w'ibikorwa urangiye, amakonte y'amashirahamwe ya Reta akora ivyerekeye amahinguriro n'ubudandaji canke kimwe muri ivyo arasuzumwa kandi akemezwa n'umukomiseri umwe canke benshi b'amakonte abanje canke babanje kuroranisha ibiri mu nzandiko canke igihe bishoboka, bitegetswe n'urwego nshingwantwaro, umushikiranganji ishirahamwe rikukira amaze kugira ico abivuzeko, afatiye ku vyo uwusubiramwo gusuzuma ibigega yigenga yashikirije.

Impembo y'umukomiseri w'amakonte ishingwa n'urwego nshingwantwaro kandi iva ku mafaranga ategekanywa gukoreshwa n'ishirahamwe.

## CHAPITRE II : DU STATUT DU PERSONNEL

**Article 46 :**
Tout établissement public à caractère industriel et/ou commercial doit être doté d'un statut du personnel adopté par le conseil d'administration et approuvé conjointement par le ministre de tutelle et le Ministre ayant les finances dans ses attributions.

Le conseil d'administration fixe, après approbation du ministre de tutelle, le niveau de rémunération de chacun des emplois permanents ou temporaires de l'établissement en tenant compte des principes directeurs édictés par la politique salariale équitable en vigueur et particulièrement des éléments constitutifs du salaire.

Il détermine les conditions d'engagement et de licenciement.

## IGICE CA II : IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA ABAKOZI

**Ingingo ya 46 :**
Ishirahamwe iryo ari ryo ryose rya Reta rikora ivyerekeye amahinguriro n'ubudandaji canke kimwe muri ivyo ritegerezwa kuba rifise amategeko agenga abakozi yemejwe n'urwego nshingwantwaro hamwe n'umushikiranganji ishirahamwe rikukira afadikanije n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta.

Urwego nshingwantwaro rurashinga, umushikiranganji ishirahamwe rikukira amaze kuvyemeza, urugero rw'imishahara igenewe akazi kamwekamwe mu buzi bwamaho canke bw'igihe gito bw'ishirahamwe hafatiwe ku ngingo ngenderwako nkurunkuru zishingwa muri poritike yerekeye itunganywa ry'imishahara isanzwe ikurikizwa na canecane ibigize umushahara.

Urwo rwego ruratomora ingene abakozi baronka akazi n'ingene birukanwa.

**Article 47 :**
Sans préjudice des dispositions plus favorables pouvant être prises dans le cadre du statut du personnel de l'établissement, les différends individuels et collectifs de travail opposant l'établissement à ses agents sont réglés selon les règles de fond et de procédure de droit commun du travail.

**Ingingo ya 47 :**
Hatirengagijwe ingingo zitanga akarusho gusumba izindi zishobora gufatwa mu bijanye n'amategeko agenga abakozi b'ishirahamwe, amatati y'akazi umukozi umwumwe yisangije canke abakozi bahuriyeko ari hagati y'ishirahamwe n'abakozi baryo atorerwa inyishu hisunzwe ibitegerejwe bihambaye hamwe n'ibisanzwe bikurikizwa mu mategeko agenga akazi.

## TITRE III : DES DISPOSITIONS PARTICULIERES AUX ETABLISSEMENTS PUBLICS A CARACTERE ADMINISTRATIF

## IKIGABANE CA III : IVYEREKEYE INGINGO ZIHARIYE KU MASHIRAHA MWE YA RETA AFISE INTUMBERO YO KURONSA ABANYAGIHUGU IVYO BAKENEYE

### CHAPITRE I : DE L'ORGANISATION FINANCIERE ET COMPTABLE

### IGICE CA I : IVYEREKEYE ITUNGANYWA RY'UBUTUNZI N'IHARURWA RY'AMAFARANGA YINJIRA N'AYASOHOKA

**Article 48 :**
Les établissements publics à caractère administratifs bénéficient des subsides annuels compte tenu des services rendus et suivant les besoins mentionnés dans le projet annuel des performances (PAP en sigle).

**Ingingo ya 48 :**
Amashirahamwe ya Reta afise intumbero yo kuronsa abanyagihugu ivyo bakeneye araronswa amafaranga atangwa na Reta ku mwaka ku mwaka hisunzwe ibikorwa akora hakurikijwe kandi ibikenewe vyatororokanirijwe mu ndinganizo y'ibikorwa bitegekanijwe gukorwa ku mwaka (PAP mumpfunyapfunyo y'igifaransa).

**Article 49 :**
Les comptes des établissements publics à caractère administratif sont soumis au règlement sur la comptabilité publique de l'Etat ou de la commune, selon le caractère national, communal ou intercommunal de l'établissement.

Sans préjudice de l'alinéa 1 du présent article et en raison de la nature des opérations confiées à l'établissement et dans l'intérêt d'une meilleure gestion, l'acte de création peut désigner un comptable spécial à l'établissement et prévoir l'ouverture d'un compte à la Banque de la République au nom de l'établissement.

**Ingingo ya 49 :**
Amakonte y'amashirahamwe ya Reta afise intumbero yo kuronsa abanyagihugu ivyo bakeneye ategerezwa gukurikiza amategeko agenga ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta canke y'ikomine bivanye n'uko ishirahamwe riri ku rwego rw'igihugu, urw'ikomine canke ku rwego mpuzakomine.

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu gahimba ka 1 k'iyi ngingo kandi bivanye n'ibikorwa ishirahamwe ryatumwe ivyo ari vyo no mu ntumbero y'ukuritunganya neza, itegeko ririshiraho rirashobora kugena umunyabigega adasanzwe w'ishirahamwe no gutegekanya ko hugururwa ikonte mw'Ibanki nkuru y'igihugu kw'izina ry'iryo shirahamwe.

**Article 50 :**
Les revenus générés par les établissements publics à caractère administratif suite à la vente des services publics sont directement versés sur le compte du Trésor public.

**Article 51 :**
L'organe de direction de l'établissement public à caractère administratif a la qualité de gestionnaire des crédits pour l'engagement et la liquidation des dépenses autorisées par le budget de l'établissement.

**CHAPITRE II : DU STATUT DU PERSONNEL**

**Article 52 :**
Tout établissement à caractère administratif doit être doté d'un statut du personnel.

Le statut précise les modalités de recrutement, d'avancement de traitement et de grade prévues pour les diverses catégories d'agents.

Le statut peut être complété par un règlement d'ordre intérieur et/ou le règlement d'entreprise.

**Article 53 :**
Le statut de l'établissement public n'est exécutoire qu'après approbation conjointe du ministre de tutelle et du Ministre ayant les finances dans ses attributions.

**Article 54 :**
Les litiges opposant le personnel affecté à l'établissement public à caractère administratif sont tranchés selon les règles de fond et de procédure posées par le Statut du personnel ou règlement d'entreprise, le ministre de tutelle jouant le rôle d'autorité au dernier degré lors du recours administratif.

**Ingingo ya 50 :**
Amafaranga yinjijwe n'amashirahamwe ya Reta afise intumbero yo kuronsa abanyagihugu ivyo bakeneye avuye mw'igurishwa ryavyo aca ashirwa kw'ikonte y'ikigega ca Reta.

**Ingingo ya 51 :**
Urwego nyobozi rw'ishirahamwe rya Reta rifise intumbero yo kuronsa abanyagihugu ivyo bakeneye rufise ububasha bwo gutunganya amafaranga y'ingurane mu ntumbero y'ugusohora amafaranga hamwe n'ukwishura ideni, rwisunze amafaranga ishirahamwe ryategekanije gukoresha ku mwaka.

**IGICE CA II : IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA ABAKOZI**

**Ingingo ya 52 :**
Ishirahamwe ryose rifise intumbero yo gushikiriza abanyagihugu ivyo bakeneye ritegerezwa kuba rifise amategeko agenga abakozi baryo.

Amategeko agenga abakozi aratomora ibikurikizwa mu guha akazi abakozi, ingene baduga umushahara n'ingene baduga ipete bitegekanijwe ku yindi migwi itandukanye y'abakozi.

Amategeko agenga abakozi ashobora kwunganirwa n'amategeko ntunganyabikorwa.

**Ingingo ya 53 :**
Amategeko agenga abakozi b'ishirahamwe rya Reta akurikizwa ari uko amaze kwemezwa n'umushikiranganji ishirahamwe rikukira afadikanije n'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ikigega ca Reta.

**Ingingo ya 54 :**
Amatati ari hagati y'abakozi b'ishirahamwe rya Reta rifise intumbero yo kuronsa abanyagihugu ivyo bakeneye ataturwa hakurikijwe ibitegekanijwe n'amategeko agenga iryo shirahamwe; umushikiranganji ishirahamwe rikukira akaba ari we mutegetsi yiturwa ku rugero rwa nyuma.

**Article 55 :**
Les différends de travail concernant les agents contractuels de l'établissement sont réglés conformément à la législation du travail et les règles statutaires fixées par l'acte de création ou le règlement pris par le conseil d'administration.

**Ingingo ya 55 :**
Amatati ajanye n'akazi yerekeye abakozi bagiriraniye amasezerano n'ishirahamwe atatuwa hisunzwe amategeko agenga akazi hamwe n'amategeko ngenderwako yashinzwe n'itegeko ririshiraho canke amategeko yashizweho n'urwego nshingwantwaro.

## TITRE IV : DES DISPOSITIONS DIVERSES, TRANSITOIRES ET FINALES

## IKIGABANE CA IV : IVYEREKEYE INGINGO ZITANDUKANYE, IZ'IMFATAKIBANZA N'IZISOZERA

**Article 56 :**
Les différends qui naissent entre les établissements publics à caractère commercial et/ou industriel peuvent être réglés par voie d'arbitrage.

**Ingingo ya 56 :**
Amatati yadutse hagati y'amashirahamwe ya Reta akora ivyerekeye ubudandaji n'amahinguriro canke kimwe muri ivyo ashobora gutaturwa biciye mu kuyumvikanisha.

**Article 57 :**
Le patrimoine de l'établissement public est insaisissable.

**Ingingo ya 57 :**
Amatungo y'ishirahamwe rya Reta ntashobora gufatwa.

**Article 58 :**
En cas d'insolvabilité, l'Etat est garant des obligations contractuelles ou délictuelles souscrites ou encourues par l'établissement public national à caractère administratif sous réserve de l'action récursoire.

De même, la commune ou le groupement de communes sont garants des obligations incombant à l'établissement public communal ou intercommunal à caractère administratif.

**Ingingo ya 58 :**
Mu gihe c'uruhombo rukabije, Reta niyo ibazwa ibitegekanijwe n'amasezerano vy'ishirahamwe rya Reta ryo ku rwego rw'igihugu rifise intumbero yo kuronsa abanyagihugu ivyo bakeneye ryagiraniye n'abandi canke amakosa ryakoze, hatirengagijwe ko abari bajejwe kuritunganya bashobora kubazwa ivyo Reta yarishe bivuye ku makosa yabo.

Muri ubwo buryo nyene, ikomine canke umugwi w'amakomine ni zo zibazwa ibitegerejwe ishirahamwe rya Reta ridafise intumbero y'ukudandaza ryo ku rwego rw'ikomine canke mpuzakomine.

**Article 59 :**
Dans le délai d'une année à compter de la promulgation de la présente loi, les ministres de tutelle veillent à ce que les textes régissant les établissements publics existants soient rendus conformes aux dispositions de la présente loi.

**Ingingo ya 59 :**
Mu kiringo c'umwaka giharurwa kuva umusi iri bwirizwa ritangarijweko, abashikiranganji amashirahamwe ya Reta akukira baritwararika ko amategeko agenga ayo mashirahamwe yari ahasanzwe aroranishwa n'ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

**Article 60 :**
Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 61 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 07 juin 2024**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE**

**Dominé BANYANKIMBONA.**

**Ingingo ya 60 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 61 :**
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 07 Ruheshi 2024**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGO CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**BANYANKIMBONA Dominé.**